BURUNDIAN DIASPORA IN AUSTRALIA (BDA) LTD

INAMA Y ABAGIZE URWEGO NSHINGWANTWARO RW' ISHIRAHAMWE RISERUKIRA ABARUNDI BABA MURI AUSTRALIYA – IZOBA KWIGENEKEREZO RYA 22/11/2020

-Corporations Act 2001, section 248 C
- Constitution of BDA, Art 50

URUTONDE RW' IBIZIRWA

1. Kwiga no kwemeza ibimenyetso bigize ikirango c' Ishirahamwe riserukira abarundi baba muri Australiya

2. Kwemera canke guhakana ubusabe bw' abifuje guserukira intara za NSW na Tasmania mu Rwego Nshingwantwaro rw' Ishirahamwe BDA.

3. Intererano ya BDA mu gushigikira no gukomeza ibikorwa birangurwa n' amashirahamwe ahurikiwemwo n' Abarundi baba mu ntara zitandukanye zigize Igihugu ca Australia.

4. Guhanahana ivyiyumviro kucokorwa kugirango intererano mu bikorwa vy' iterambere no gufashanya mu Burundi, birangurwa n' abarundi baba mu Gihugu ca Australiya vyoza biramenyeshwe Leta y' uburundi, bityo igihugu kimenye akamaro n' intererano y' abarundi baba muri Australiya mw' iterambere ry' Igihugu cacu.

5. Guhanahana ivyiyumviro ku ntererano ya BDA , mu gukangurira no gushigikira Abarundi baba muri Australiya, bifuza kurangurira imigambi yabo y' iterambere mu Burundi, canke ku bifuza gukora ibikorwa vyo gushigikira abatishoboye, canke gutabarana mubihe vy' impanuka.

6. Kugena umuhinga yofasha kwihweza ivyohinyanyurwa mu ngingo zimwe zimwe zigize amategeko agenga Ishirahamwe BDA, Kugira ribe itegeko rizohumuriza Abarundi bose bivanye n' intara babayemwo.

7. Utuntu n' utundi